Yezu Kristu ni nde? (Igice ca 1)

Bishingiye ku kigabane ca 4 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha be no kubona ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.

YEZU YOBA YARI UMUNTU MWIZA GUSA?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Kubera iki hari abobihakana?

Kubera iki hari abovyemera?

Wewe uvyiyumvirako iki?

Kubera iki uvyiyumvira gutyo?

www.jw.org © 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Birahambaye ko tumenya ukuri ku vyerekeye Yezu.
(Raba ikigabane ca 4 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 1-3.)

Soma Yohani 17:3.

Twisunze ico canditswe, 'kwironsa ubumenyi bwerekeye' Yezu (na Se wiwe) vyotugirira akamaro akahe?

Soma Yohani 14:6.

Vyoba bishoboka ko umuntu aronka ubuzima budahera atazi ukuri ku vyerekeye Yezu? Kubera iki wishuye gutyo?

Nka kurya nyene ifoto iriko ibintu vy'ido n'ido biranga umuntu ishobora kugufasha kumenya uwo muntu, ni ko n'ubuhanuzi bw'ido n'ido buvugwa muri Bibiliya bushobora kudufasha kumenya Mesiya uwo ari we

www.jw.org © 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Yezu yarungitswe kw'isi na Se wiwe kugira ngo abe Mesiya yasezeranywe.

(Raba ikigabane ca 4 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 4-9.)

Soma Mika 5:2 na Matayo 2:1, 3-6.

Ivuka rya Yezu ryashikije gute ubuhanuzi bwerekeye Mesiya yari yarasezeranywe?

Soma Matayo 3:16, 17 na Yohani 1:32-34.

Ni kubera iki Yohani Umubatizi yari yarajijutse ko Yezu yari yarungitswe n'Imana?

Ni igiki kikujijura ko Yezu yari Mesiya yari yarasezeranywe?

www.jw.org © 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Yezu yari umuntu mwiza gusa yabayeho kera.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Ndemera ko Yezu yari umuntu mwiza. Ariko ndemera kandi ko atari umuntu mwiza gusa kubera ko . . .

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Yezu ntiyari Mesiya; ivyamubayeko ni we yabitegura kugira *yigire* Mesiya.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Abantu benshi boshobora gushigikira ico ciyumviro. Ariko ng'iki kimwe mu bintu Yezu atari gushobora gutegura . . .

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

www.jw.org © 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania